**ISHIRAHAMWE RIHARANIRA AGATEKA KA ZINA MUNTU MU BURUNDI ‘’ITEKA‘’**

***Ryemejwe n’itegeko nshikiranganji n°530/0273 ryo kuwa10 Munyonyo1994, risubiramwo itegeko n°550/029 ryo kuwa6 Ruhuhuma1991***

# *ICEGERANYO C’UMUHARI UHARANIRA AGATEKA KA ZINA MUNTU MU BURUNDI « ITEKA » KU NYIFATO Y’AGATEKA KA ZINA MUNTU MU BURUNDI KUVA MU KWEZI KWA NDAMUKIZA GUSHIKA MURI RUHESHI 2026*






*Uwo uri wese ubahirizwa*

*Mukwibuka umupfasoni Mariya Korodetta Kwizera, umunyabigega w’ishirahamwe Iteka, yabuzwe irengero kuva kuwa 10 Kigarama 2015.Kuva muri Kigarama 2015 gushika kuwa 30 Ruheshi 2026, abantu bashika 874 babuzwe irengero nibo ishirahamwe Iteka ryamenyeshejwe, n’imiburiburi 84 barasubiye kuboneka abandi787 ntibigeze basubira kuboneka. Umugwi w’ igikorwa c’ishirahamwe ry’ibihugu vyunze ubumwe ku kuburwa irengero waramaze kumenyesha Reta y’uBurundi n’imiburiburi abashika 252 babuzwe irengero*.

**Ishirahamwe Iteka:**

- **« Ni umunywani w’ishirahamwe mpuza bihugu vyo muri Afrika vyegwa n’agateka ka zina muntu,ni umunywanyi akorana n’urunani mpuzamakungu rw’amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu(FIDH),**
- **Rifise akaranga ko kwihweza imbere y’umugwi wa Afirika uharanira agateka ka zina muntu kuri nomero iyerekana OBS.236 kandi ni umunywanyi wa ECOSOC.**

[1]https://docs.un.org/fr/A/HRC/57/54


RWANDA
BUTANYERERA
BUJUMBURA
BUHUMUZA
GITEGA
LAKE
DRC
TANGANYIKA
BURUNGA
TANZANIA
N
E
S
W

# URUTONDE RW'IBIRIMWO


*IMPFUNYAPFUNYO ........................................ 4*

*I. INTANGAMARARA.................................................. 5*

*II. IHONYANGWA RY'AGATEKA KA ZINA MUNTU.................................................... 8*

*II.1. UBURENGANZIRA BW'ABANTU NO MURI PORITIKE ................................ 8*

*II.1.1. UBURENGANZIRA KU BUZIMA .............................................................................. 8*

*II.1.1.1.UBWICANYI BUTEGUWE ............................ ... 8*

*II.1.1.2. ABANTU BANYURUJWE N'ABABUZWE IRENGERO ...................................................... 10*

*II.1.2. UBURENGANZIRA BW'UKUDAKUBAGURWA ............... 12*

*II.1.2.1. UGUKUBAGURWA,UGUPFUNGWA CANKE UGUFATWA BUNYAMASWA .........................12*

*II.1.2.2. AMABI AFATIYE KU GITSINA /UGUSHURASHUZWA........................... 14*

*II.1.3.UBURENGANZIRA KU MWIDEGEMVYO ............ ...... 15*

*II.1.3.1. UGUHAGARIKWA BICIYE KUBIRI N'AMATEGEKO 15*

*II.2. UBURENGANZIRA KU MIBANO-UBUTUNZI N'IMICO KAMA 17*

*II.2.1. IHUNGABANA RY'UBUTUNZI .......................................... 17*

*II.2.2. UBURENGANZIRA KU NDERO ............................ 18*

*II.2.3. UBURENGANZIRA KU MAGARA ........ 19*

*III.UGUSOZERA N'IBISABWA .................................. 20*

# *IMPFUNYAPFUNYO*

**AGNU** : Inama nkuru y'ibihugu vyunze ubumwe

**CDP** : Ihuriro ry'abakundagihugu

**CNDD-FDD** : I*nama y'igihugu iharanira demokarasi-urunani rukingira demokarasi*

Inama y'igihugu

**CNL** : Urunani rw'igihugu ruharanira umwidegemvyo

**UPRONA** : Urunani ruharanira iterambere ry'igihugu

**DESC** : Uburenganzira bw'ubutunzi-imibano n'imico kama

**FRODEBU**: Urunani ruharanira demokarasi mu Burundi

**PNB** : Igipolisi c'igihugu c'uBurundi

**SNR** : Iperereza ry'igihugu

**TGI** : Sentare nkuru

**RDC** : Repuburika iharanira demokarasi ya Kongo

**M23** : Umuhari wo kuwa 23 Ntwarante

**FDLR** : Urunani ruharanira demokarasi yo kubohoza u Rwanda

**VBGs** : Amabi afatiye ku gitsina

**CENI** : Umugwi w'igihugu wigenga ujejwe gutunganya amatora

**CEPI** : Umugwi wigenga ujejwe amatora mu ntara

**CECI** : Umugwi wigenga ujejwe amatora muri komine

**VB** : Akazu k'amatora

**ECOFO** : Ishure shingiro

**OPJ** : Inyamiramabi

## *I. INCAMAKE Y'ICEGERANYO*

Iki cegeranyo ku nyifato y'agateka ka zina muntu mu Burundi kuva Ndamukiza gushika Ruheshi 2026,kiranagaruka ku burenganzira bw'abantu no muri politike,hamwe no ku burenganzira bw'imibano,ubutunzi n'imico kama.Iki cegeranyo kirangizwa n'ugusezera hamwe n'ibisabwa.

Gutyo, agateka ka zina muntu karasubiye inyuma bimwe biteye isoni: Haharuwe n'imiburiburi abantu 72 bishwe harimwo 40 batowe ibiziga,muri abo bishwe harimwo abagabo 51 hamwe n'abagore 21.Mubakorewe amabi,35 bakorewe amabi afatiye ku gutsina,harimwo 24 bashurashujwe ku nguvu.Mu bantu bakozweko n'amabi afatiye kugitsina harimwo abagore 28 n'abagabo 7.


Ibindi biharuro birimwo abantu 10 baborejwe igufa harimwo abagore 3,abantu 13 banyurujwe canke babuzwe irengero harimwo abagore 2,hamwe na 6 bahagaritswe biciye kubiri n'amategeko.

Naho abenshi mubakorewe amabi atawuzi aho bahengamiye muri poritike,twomenya ko abanywanyi b'imigambwe batashizwe inyuma,abo mu mugambwe uri ku butegetsi CNDD-FDD bagizwe na 12,uwo muri CNL 1 hamwe n'uwo muri FRODEBU 1.

Haragirizwa kandi abari mu kagwi k'imbonerakure,abo mu ntwaro,abo mw'iperereza,hamwe n'abaporisi,bafatwa ahanini nk'abagirizwa ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu hamwe n'ubwicanyi buvugwa.

***Igicapo1 : Ikigara cerekana ahanini incuro hahonyanzwe agateka ka zina muntu mu Burundi mu kiringo co kuva Ndamukiza gushika Ruheshi 2026***

| Aho vyabereye / Intara | Igitigiri c'abakorewe amabi | | | | | Bose hamwe |
|---|---|---|---|---|---|---|
| | Uguha garikwa | Ukunyuruz wa | Ukubore zwa igufa | Ubwicanyi | Amabi afatiye ku gitsina | |
| Buhumuza | 1 | 1 | 0 | 14 | 1 | 17 |
| Bujumbura | 1 | 11 | 1 | 15 | 5 | 33 |
| Burunga | 2 | 0 | 6 | 10 | 14 | 32 |
| Butanyerera | 0 | 1 | 0 | 8 | 9 | 18 |
| Gitega | 2 | 0 | 3 | 25 | 6 | 36 |
| Zose hamwe | 6 | 13 | 10 | 72 | 35 | 136 |




## *I. INCAMAKE Y'ICEGERANYO(Ibikurikira urupapuro 5)*

Muri kino gice ca kabiri c'umwaka wa 2026,kuri bose hamwe abantu 132 bakorewe amabi yatohojwe nibo baharuwe. Muribo 72 barishwe,35 bakorewe amabi afatiye ku gitsina,harimwo 30 bashurashujwe ku nguvu,10 baraborejwe igufa, 3 baranyurujwe hanyuma 6 barahagarikwa.

Intara ya Gitega iri imbere ku bantu 36,bagizwe na 25 bishwe,6 bakorewe amabi afatiye ku gitsina,3 baborejwe igufa na 2 bahagaritswe.Hakwiririkira Bujumbura,ku bantu 33 bagizwe na 15 bishwe,5 bakorewe amabi afatiye ku gitsina,11 banyurujwe hamwe n'1yahagaritswe biciye kubiri n'amategeko.Ubugira 3,intara ya Burunga iharura ababangamiwe 32,bari mu bantu 10 bishwe,14 bakorewe amabi afatiye ku gitsina,6 baborejwe igufa na 2bahagaritswe.Mu gusozera, Butanyerera na Buhumuza zirahereza iki cegeranyo ku bantu 18 na 17 bakorewe amabi uko zikurikirana.

***Igicapo 2 : Igicapo cerekana ahanini abagirizwa ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu ryiboneke je Burundi mu kiringo co kuva Ndamukiza gushika Ruheshi 2026***

| Abikekwako icaha | Buhumuza | Bujumbura | Burunga | Butanyerera | Gitega | Zose hamwe |
|---|---|---|---|---|---|---|
| Abaporisi | 0 | 3 | 3 | 1 | 4 | 11 |
| Abatware | 1 | 1 | 1 | 1 | 1 | 5 |
| Abo iperereza | 0 | 4 | 0 | 0 | 0 | 4 |
| Iyindi migwi | 1 | 4 | 8 | 4 | 5 | 22 |
| Abantu bataramenyekana | 8 | 13 | 5 | 7 | 14 | 47 |
| Uburozi | 0 | 0 | 0 | 0 | 2 | 2 |
| Imbonerakure | 4 | 5 | 7 | 3 | 3 | 22 |
| IUkwica abana | 0 | 0 | 0 | 1 | 1 | 2 |
| Ukwihanira | 1 | 0 | 0 | 0 | 0 | 1 |
| Abasirikare | 1 | 1 | 0 | 0 | 0 | 2 |
| Ukwihora | 4 | 3 | 7 | 3 | 4 | 21 |
| **Bose hamwe** | **20** | **34** | **31** | **20** | **34** | **139** |





Ico kigara kirerekana kuri bose incuro 124 zashizwe mu migwi 11 y'abakora amabi muri ico kiringo cizwe.Incuro nyishi zibonekeje ziri mu bantu batamenyekanye hamwe n'iyindi migwi y'abantu.Intara zakozweko cane n'ayo mabi ni Bujumbura na Gitega, ziharura igitigiri c'amabi menshi.

*I. INCAMAKE Y'ICEGERANYO(Ibikurikira urupapuro 6)*

***Igicapo 3 : Igicapo cerekana ahanini ivyakozwe n'abatware mu gutora inyishu ku mabi yakozwe***

Muri iki kiringo cafatiweko,igitigiri ca yose hamwe amabi 124 yaraharuwe,gutyo bituma hakorwa utwigoro 74 turi mu migwi 4 nyamukuru kugira haboneke inyishu nyayo.Muri ayo mabi,bimwe vyaratorewe inyishu nyayo ituma igiporisi gihagarika abikekwa ko ivyaha,mugihe ayandi,akomeye,akiriko arigwa.
Amatohoza yimbitse ubu ariko arakorwa kugira haboneke inyishu zibereye cane kuri ubwo bubegito nk'ibiziga vyatowe kenshi bitaratorerwa inyishu.Ikibazo c'uguhozako kuri buri kintu gituma hiyumvirwa ingingo zoba zibereye kandi zitomoye

| Ubwoko bw'amabi | Igitigiri c'amabi | Igitigiri c'ivyakozwe | Aho atacakozwe |
|---|---|---|---|
| Uguhagarikwa | 6 | 1 | 5 |
| Ukunyuruza, | 11 | 1 | 10 |
| Ukuborezwa igufa | 8 | 5 | 3 |
| Ubwicanyi | 66 | 38 | 28 |
| Amabi afatiye ku gitsina | 33 | 29 | 4 |
| **Yose hamwe** | **124** | **74** | **50** |




Uwo uri wese ubahirizwa

### *II.1. UBURENGANZIRA BW'ABANTU NO MURI PORITIKE*

*UBurundi buri mu bihugu vyashize umukono ku masezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'ukwigenga na politike(1965) hamwe n'amategeko yaryo mpfatakibanza (1976) ntabanduka kuwa 9Rusama 1990,icatumye mu ntumbero yo kuyashira mungiro,uBurundi bufata ingingo ingingo mu mategeko abugenga nko mw'ibwirizwa shingiro ryo kuwa 7 Ruheshi 2018(Itegeko kizigenza) mu ngingo yaryo 19 ivuga koamategeko yose yasomwe kandi agashigwaho n'amategeko mpuzamakungu yashizweko umukono ko ashizwe ashizwe mw'iryo bwirizwashingiro,amategeko arishira mu ngiro yarashizweho nko mw'itegeko mpanavyaha ryo kuwa 29 Kigarama 2017 no mw'itegeko rishira mungiro ibihano ryo kuwa 11 Rusama 2018 hamwe n'ayandi mashirahamwe akingira agateka ka zina muntu mu Burundi yarashizweho.*

## *II.1.1 UBURENGANZIRA KU MAGARA*


### *II.1.1. 1. UBWICANYI BUTEGUYE*

*Itegeko riravuga, agateka k'umuntu gategerezwa kubahwa kandi kagakingirwa na Reta no mugihe kahonyanzwe ibihano bitegerezwa gukwirikizwa ku bahonyanze ako gateka,ingingo ya 21 y'itegeko shingiro ry'igihugu.*

Kuri bose,incuro 66 nizo zaharuwe hishwe abantu ku butaka bwose bw'igihugu muri kino kiringo ca kino cegeranyo, zihitana abantu72,harimwo 61 bakuze n'abana 11.Intara zakozweko gusumba izindi ni Gitega na Bujumbura, ziharurwamwo 25 na 15 bishwe,Haca hakurikira Buhumuza ku bantu 14 na Burunga ku bishwe 10.Hahereza,intara ya Butanyerera hishwe abantu .

***Igicapo 4 : Ikigara c'abantu bishwe n'abicanyi bataramenyekana ,abishwe n'abo muri Reta,abishwe kubera ukwihora,abishwe kubera ukwihanira ,ubwicanyi bwkorewe inzoya hamwe n'abundi bwicanyi bwakorewe abana.***

| Intara | Incuro | Igitigiri c'abishwe | | Abagabo | Abagore |
|---|---|---|---|---|---|
| | | Ubwicanyi | Ibiziga | | |
| **Buhumuza** | **13** | 8 | 6 | 8 | 6 |
| **Bujumbura** | **15** | 8 | 7 | 10 | 5 |
| **Burunga** | **8** | 2 | 8 | 9 | 1 |
| **Butanyerera** | **8** | 2 | 6 | 8 | 0 |
| **Gitega** | **22** | 12 | 13 | 16 | 9 |
| **Grand Total** | **66** | **32** | **40** | **51** | **21** |



*II.1.1 UBURENGANZIRA KU BUZIMA (Ibikurikira urupapuro 8)*

## *Uburorero buvyerekana :*

***Abishwe n'igiporisi***

***Ak1:*** Kuwa 20 Ndamukiza 2026, ku mutumba Murago,muri zone Gihogazi uwitwa HABIMANA, afise imyaka 30 ,uwugendesha ipikipiki yarishwe na NITUNGA Daniel, umuporisi wo muri komine ya kera ya GIHOGAZI, w' imyaka 35 .

Kubw'ivyabona vyo mu karere,umuporisi yahagaritse uwikekwako ubusuma hanyuma afata uwo agendesha ipikipiki kugira ajane uwo musuma mu gasho ka zone Gihogazi. Kubw'ivyo vyabona nyene,mw'ibarabara ,umusuma yakomye induru ko amahera yiwe akorotse hasi hanyuma uwugendesha ipikipiki yarahagaze,umusuma aca ariruka ahunga afise imigozi y'ivyuma ku maboko. Umuporisi ntiyihanganye yaciye yatsa umuriro arasa uwo agendesha ipikipiki amwagiriza ko ariwe yatumye atoroka,agahunga. Umuporisi yarahagaritswe hanyuma ajanwa mw'ibohero rya komisariya ya KARUSI hafi y'isaha cumi z'umuhingamo z'uwo munsi nyene. Vyongeye,amasoko yaho avuga ko umusuma yishikanye ku giporisi inyuma y'iminsi ibiri mugabo ataboshwe n'aya migozi y'ivyuma yo ku maboko hanyuma bamurungika kuri komisariya ya KARUSI kuwa e 23 Ndamukiza 2026.

---

***Ak2:*** Mw'ijoro ryo ku wa 4 Ndamukiza 2026 rishira kumusi w'Imana wa Pasika yo kuwa 5 Ndamukiza 2026,umuporisi

yitwa Irankunda Osias yararashe Nininahazwe Nestor,umugabo w'imyaka 30 afise ubunywero bwitwa ″Kwihuriro",ku mutumba KIBUNGERE,muri komine Nyabihanga, mu ntara yaeGitega. Umuhisi yari yubatse afise abana 2.

Amasoko yahoo,avuga ko uwo muporisiyakora kuri paruwasi sources Kibungere muri iyo komine,yaje muri iryo joro muri ubwo bunywer aca atangura gusotora abariko bivuna akanyota. Aca atangura kunywa ku macupa yabo.

Ariko Nestor Nininahazwe,nyeneubwo bunywero,yaranse ko umuporii anyw izoga yanje iri kw'icupa ryiwe.

Kubw'agashavu , yavciye agenda aho abaporisi bakora kuri paruwase baryama,hanyuma agaruka afise inkoho yiwe. Yaciye buno nyene arasa amasoro menshi kuri Nestor mu gikiriza.Yaciye apfira ahonyene.Uyo muporisi yaciye aja kwinyegeza mu bigo vya paroise Kibungere.

Niho abanyagihugu bamufata imbere yo kumushikiriza abajejwe umutekano kugira bamujanye mw'ibohero rya komine Nyabihanga kugira abazwe. Abanyagihugu bo muri ako karere bipfuza ko uyo muporisi yohanwa hakurikijwe amategeko.Bagasaba kandi ababifitiye uburenganzirakubuza gutwara ibikoresho bicira umuriro mu bunywero.

---

***Abishwe n'urwaruka rw'Imbonerakure***

***Ak1 :*** *Kuwa 28 Rusama 2026,kw'ibarabara 4 ryo muri karatiye Muyinga, muri zone Kinama, komine Ntahangwa, intara ya Bujumbura, Didier Nkurunziza, w'imyaka 21, umuntu mushash mu mwug a wo gukora ingendeshwa, yarishwe acumiswe imbugita n'imbonerakure yitwa Yamuremye mu nzu y'uburiro. Kubwo ivyabona vyo muri ako karere,uwo yishwe yari muri iyo nzu y'uburiro kandi yama ariho afungurira. Ku bwo ivyo vyabona nyene,igihe yariko arariha imfungurwa,yabuze igihumbi hanyuma ayo yagirizwa kumwica amusimbirako hanyuma amucumita imbugita mu rubavu aca apfira ahonyene.Ikiziga ciwecajanywe mu buruhukirobw'ibitaro vy'abasirikare mu Kamenge*

*Ayo masoko nyene yongera ko uwagirizwa iro bara yahagaritswe hanyuma ajanywe mu gasho zone Kinama.*

---

***II.1.1 .UBURENGANZIRA KU BUZIMA(Ibikurikira urupapuro 9)***

***Ak3 :*** Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa 23 Ruheshi 2026 ivuga ko kuwa 31 Rusama 2026,umunyagihugu yitwa Seif Ntakirutimana yarapfuye kubwo ibikomere,inyuma yogukubitwa n'urwaruka rw'umugambwe uri ku butegetsi kuwa 27 Rusama 2026,muri zone Buterere ya komine Ntahangwa, mu ntara ya Bujumbura. Hafi y'isaha zitanu z'ijoro,mugihe yitegura ngo atahe muhira iwe,Seif yahagaritswe n' imbonerakure zari zirakizura mw'ijoro. Izo mbonerakure,zamusavye karangamuntu. Uwo mwanya ntako yari yagendanye,uwo yishwe yabasavye ko bojana muhira iwe kugira agatore. Izo mbonerakure zaranse hanyuma bamujana ku nguvu ahantu amazi mabi yose ahurira,bakunze kwita« muma bassins ». Aho,baramukubise cane gushika aho ata ubwenge,imbere yo kumutaho.

Inyuma yo gutora ubwenge,Seif yarashoboye gushika muhira acumbagiza. Kubwo izo nkoni,yateye aremba,kutiyegura,inyuma y'iminsi mike,Seif yitavye Imana kubera ukuborezwa igufa kuwa 31Rusama 2026.

Bamuhamvye yaraye apfuye kw'itongo ry'abapfuye ryo Mpanda. Inyuma y'iryo bara ,umukuru w'umugwi w' Imbonerakure yarimwo mubamuboreje igufa,azwi kw'izina rya Élie,yarahagaritswe n'indongozi kandi ubu ari mu gasho ka Mpimba.

***II.1.1.2. UKUNYURUZWA N'UKUBURWA IRENGERO***

*Ibwirizwa shingiro ry'u Burundi mu gace karyo ka 38, rirarekurira umuntu wese,gutunganirizwa co kimwe n'abandi kandi akumvirizwa kandi agaciribwa urubanza mu gihe gitegekanijwe.Ariko,ku rubuga,ubunenge muri ico gisata buruzuye.*


Mu gice ca kabiri c'umwaka 2026,kiva muri Ndamukiza gushika Ruheshi,umuhari Iteka warabonye aho ukunyuruzwa bikabije.Ibiharuro vyerekanywe mu gicapo n'ikigara bikurikira,vyerekana abantu 13 banyurujwe canke babuzwe irengero.

Intara ya Bujumbura yarakozweko bidasanzwe, ku bantu 11 baharuwe banyurujwe, hagakurikira Burunga na Buhumuza ku muntu 1 imwe imwe. Mubakorewe ako kabi kabishe,harimwo abagore 2 hamwe n'abagabo 11 .

***Igicapo 5 : Abantu banyurujwe canke babuzwe irengero mu Burundi kuva mu kwezi kwa Ndamukiza gushika Ruheshi 2026***

| Intara | Incuro banyurujwe | Igitigiri c' abanyurujwe | Abagabo | Abagore |
|---|---|---|---|---|
| **Buhumuza** | **1** | 1 | 1 | 0 |
| **Bujumbura** | **9** | 11 | 9 | 2 |
| **Burunga** | **0** | **0** | **0** | **0** |
| **Butanyerera** | **1** | **1** | **1** | **0** |
| **Gitega** | **0** | **0** | **0** | **0** |
| **Zose hamwe** | **11** | **13** | **11** | **2** |

*II.1.1.2. UKUNYURUZWA CANKE UKUBURWA IRENGERO( Ibikurikira urupapuro 10)*




## *Uburorero buvyerekana :*

***Ivyakoze n'igiporisi.***

***Ak1** :*

———Kuwa 06 Ntwarante 2026 muri karatiye Mubone, muri zone Buterere,muri komine Ntahangwa, mu ntara ya Bujumbura, Julien MANIRAKIZA umunywanyi w'umugambwe uri ku butegetsi kandi aba muri iyo karatiye nyene yarahagaritswe hanyuma ajanwa ahantu hatazwi. Ku bwo ivyabona vyaho,Julien yahagarikiwe muhira iwe n' umuporisi yitwa Eric aba kw'ibarabara rya 2 i Mubone arikumwe n' akarwi k'imbonerakure harimwo Amuri BUKURU, umutware mushasha wa karatiye Mubone, batazira Sylvat,arongoye ikigo c' Uburusiya cubatswe kw' ibarabara ryo muri karatiye Mubone, uwitwa Lionel aba ku rya 1,uwitwa Ernest adandaza amatafari kandi aba kw'ibarabara rya 5 ku Mubone,uwo bita Madisi na Eric umukozi w' iperereza aba kurya 12. Ku bwo ivyo vyabona nyene,Julien Manirakiza yari yatowe nk' umutware wa karatiye Mubone mu matora aherutse kuba ariko akurwa atamvo iboneka naho ariwe yashimwa n'abanyagihugu kandi yarasavye kurenganurwa,ubu arindiriye inyishu

Kuva kuwa 6Ntwarante 2026,yarabbuzwe irengero, abagenzi n'abaegereye Julien MANIRAKIZA basaba kumenya aho uwabo yoba yarajanywe hamwe ico yagirizwa.

———————————————————————————————-

***Abanyujwe n'igisirikare***

***Ak 2** :* Kuwa 5 Ruheshi 2026, umusirikare azwi kw' i zina rya Bizimana Gérard yaranyurujwe ku Musaga,muri komine Mugere, mu ntara ya Bujumbura.

Ku bwo icabona cari kihari,yarikumwe n' umuntu yitwa Cedric kandi bariko bafungura mu bunywero bw'uwahoze ari umushingamateka Lewis. Ni ho ingendeshwa yo mu bwoko double cabine ifise ibiyo bitabona yashika aho bari. Abantu 2 bambaye impuzu za gisirikare barurutse,bafata Bizimana Gérard hanyuma bamwuriza ku nguvu iyo ngendeshwa,mu nyuma yaciye igenda.

Kuva ivyo bibaye,nta muntu numwe azi aho yoba apfungiwe ndetse nico yoba yarabaye. Umuryango wiwe urarajwe ishinga n'umutekano wiwe,mu gihe abamunyuruje bafatwa ko ari abakorera Reta bambaye umwambaro w'akazi.

*II.1.2. UBURENGANZIRA BW'UKUDAKUBAGURWA*


*Uburenganzira bwo kudahohoterwa ku rukoba bukingiwe mu Burundi n'amategeko yo mw' ibwirizwashingiro hamwe n'amasezerano mpuzamakungu. Ibwirizwa nshingiro ry'Uburundi rikingira uburenganzia ku buzima,ku mw' idegemvyo hamwe n'umutekano wa muntu. Rirabuza ugukubagurwa,ugufatwa bunyamaswa n'ayandi mabi. Itegeko mpanavyaha ryo mu Burundi ririyamiriza ihohoterwa ryo ku rukoba,nk'amabi ateguwe,ugukubitwa no gukomeretswa hamwe no guhohoterwa bifatiye ku gitsina.*

***II.1.2.1. UKUBOREZWA IGUFA,UGUPFUNGWA CANKE UGUFATWA BUNYAMASWA N'AYANDI MABI ATAGIRA IZINA***

***Igicapo 6 : Abantu baborejwe igufacanke bapfunzwe canke bafashwe bunyamaswa n'ayandi mabi mu kiringo ca Ndamukiza gushika Ruheshi muBurundi***

Kuri bose,abantu nibo baborejwe igufa ku butaka bwose bw'igihugumu kiringo ca kino cegeranyo.Nk'uko ico kigara n'ico gicapo bivyerekana,umuhari Iteka waharuye,muri kino gice abantu baborejwe igufa.Intara zakozweko gusumba izindi ziboneka ko ari Burunga na Gitega, ku bantu 6 na 3 baborejwe igufa uko zikurikirana,agakurikira Bujumbura ku muntu 1. Muri abo 10 baborejwe igufa,harimwo abagabo 7 n'abagore3.

| Intara | Incuro baborejwe igufa | Igitigiri c'aba-borejwe igufa | Abagabo | Abagore |
|---|---|---|---|---|
| **Buhumuza** | **0** | **0** | **0** | 0 |
| **Bujumbura** | **1** | **1** | **1** | 0 |
| **Burunga** | **5** | **6** | **5** | 1 |
| **Butanyerera** | **0** | **0** | **0** | 0 |
| **Gitega** | **2** | **3** | **1** | 2 |
| **Bose hamwe** | **8** | **10** | **7** | **3** |




***Uburorero buvyerekana:***

## *Ivyakozwe n'igipolisi*

***Ak1 :*** Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa 17 Ndamukiza 2026 ivuga ko kuwa 2 Ndamukiza 2026,ku mutumba nyakuguma,muri zone ya Kigwena,muri komine Rumonge, mu ntara ya Burunga, uwitwa Irambona, umuporisi wo

ku kirindiro ca zone Kigwena yarakubizwe yongera arakomereka ku mutwe no ku bitugu ku kuboko kw'ibubamfu bitewe na Irakoze Issa,Imbonerakure yo mu mugambwe CNDD-FDD azwi nk'umunywi w'inzoga zibujijwe n'amategeko. Ku bwo amakuru twatororokanije aho nyene,uwakoze ayo mabi yatanguye gushwana mu nzu y'ubudandarizo kandi ashaka gukubita umudandaza hanyuma uwo nawe aca aratabaza. Umuporisi yaciye ahashika gutabara imbere yo kumuhagarika no kumujana mu gasho ka zone hanyuma baheze bamurungika muri komisariya y'igiporisi mu Rumonge. Uwo muporisi yakubiswe nawe ajanwa ku kigo c'ubuzima ca Cabara hanyuma arungikwa ku bitaro vya Rumonge ku-gira bakurikirane ubuzima bwiwe.

---

***Ak2 :*** Mw'ijoro ryo kuwa 10 Rusama 2026, hafi y'asaha zitanu,mu kirindiro c'abateshejwe izabo mu Kabezi, muri komine Mugere,mu ntara ya Bujumbura, umusore w'imyaka 21 , azwi kw'itazirano rya Kibaju, yarakubiswe n'abaporisi bajejwe gucungera urugo rwa musitanteri wa komine ya Mugere.

Kubwo icabona cavyiboneye,umusore Kibaju yariko asoma inzoga zikazezaho bita *ikibangara* hamwe n'uwundi aba muri ico kirindiro, yitwa Claver,yamukubise umugere. Kibaju yagerageje kwirwanira kugira asunure uwo uwo yamutanguye, ariko ni uyo mwanya nyene abaporisi bacungera urugo rwa musitanteri wa komine Mugere baje gutabara.

Aho guhagarara hagati kugira bahagarike ayo mahane, abaporisi baciye basimbira kuri uyo musore. Baramukubise hanyuma bamusiga ari ikiruruma. Yakomeretse kandi ytaye ubwenge ,uwo yakubiswe yanyarukanywe kwa muganga. Amakuru yanyuma,umusore Kibaju aracarembeye mu bitaro vya Kabezi.

---

***Ivyakozwe n'urwaruka rw' Imbonerakure***

***Ak3 :*** Kuwa 13 Ndamukiza 2026, hafi y'isaha zitatu z' ijoro ,ku mutumba Karinzi,muri zone Rongero, muri komine Rutana, mu ntara ya Burunga, Salvator Barashingwa n'umugore wiwe Marcelline Itangishaka, bose bo mu mugambwe CNDD-FDD barakubiswe hakoreshejwe inkoni n' Imbonerakure, urwaruka rwo mu mugambwe uri ku butegetsi CNDD-FDD harimwo Elias, Éric na Egide kubera guha indaro umuntu batabwiye umutware w'uwo mutumba.Abo bakubishwe bumva ububabare umubiri wosekandi bari mu bitaro vyo mu Rutana kugira bavurwe mugiye abikekwako icaha bari mw'ibohero rya komisariya ya komine Rutana.Muri iryo joro nyene,uwo muntu yari yasavye indaro ni nawe yabajanye ku bitaro.

---

***Ak4 :*** *Umuhari Iteka waramenyeshejwe umuntu yaborejwe igufa ku musi wa gatandatu ,igenekerezo rya 7 Ruheshi 2025,hafi igihe c'isaha 1 y'ijoro mu bunywero buri ku mutumba Butamenwa, zone Cirambo, (yahoze ari komine Nyabikere) aho umugabo yitwa NDIHOKUBWAYO Thérence, wo mu runani BURUNDI BWA BOSE, yaborejwe igufa n' imbonerakure zikoreshejwe n'umukuru w'umugambwe CNDD-FDD wo ku mutumba , yitwa Isaac.*

*Bamusanze mu bunywero ariko yinywera utuyoga aca amubarira kon'aho atatoye CNDD-FDD, umugambwe watsinze.Yumvise ayo majambo , Thérence yahisemwo gusohoka aca aritahira; munyuma ziramukubita kandi ziramwiba amahera angana na 30.000 fbu bamaze kumukomeretsa ku mutwe no ku kuboko. Umuryango wiwe waramujanye mu kigo c'ubuvuzi NYABIKERE bukeye bwaho kandi abamukubise baracidegemvya.*


### *II.1.2.2. AMABI AFATIYE KU GITSINA/UGUSHURASHUZWA*

*Itegeko rijanye n'amabi afatiye ku gitsina yashizweho Burundi muri 2016 ryarerekanye intambwe.Ryiyemeje gukingira ayo mabi, nko mugutanga indangurakintu ryo gufatwa kunguvu mu gufata mu ntoke ikibazo c'abiyumvikanira hamwe n'imigenzo ya kera yataye igihe.*

Muri iki kiringo ca kino cegeranyo,harabonetse abakorewe amabi afatiye ku gitsina ku rugero ruteye agahinda, Umuhari Iteka waraharuye n'imiburiburi incuro 33 bakorewe amabi afatiye ku gitsina,akora ku bantu 35 ku butaka bwose bw'igihugu.Muri abo 35,28 ni abagore harimwo 24 bashurashujwe.Nk'uko ikigara kivyerekana,intara ya Burunga na Butanyerera nizo zakozweko gusumba izindi ku bantu 14 na 9 uko zikwirikirana,hagaca hakwirikira Gitega ku bakorewe amabi 8. Mu bakorewe ayo mabi,haharurwa abagore 28 n'abagabo 7 .

***Igicapo7 : Ikigara cerekana abantu bakorewe amabi afatiye ku gitsina***

| Intara | Incuro hakozwe amabi afatiye ku gitsina | Igitigiri c'abakorewe amabi afatiye ku gitsina | | Abagabo | Abagore |
|---|---|---|---|---|---|
| | | Amabi afatiye kugitsina | Ugushuras-huzwa | | |
| **Buhumuza** | **1** | 0 | 1 | 0 | 1 |
| **Bujumbura** | **5** | 0 | 5 | 0 | 5 |
| **Burunga** | **14** | 4 | 10 | 2 | 12 |
| **Butanyerera** | **9** | 3 | 6 | 4 | 5 |
| **Gitega** | **4** | 4 | 2 | 1 | 5 |
| **Zose hamwe** | **33** | **11** | **24** | **7** | **28** |




***Uburorero buvyerekana:***

***Ak1 :*** Nikundana Alice,umuvyeyi w'abana 5 yubatse ku mutumba RUHINGA muri komine Matana, mu ntara ya BURUNGA yaturiwe hakoreshejwe amazi abize n'umugabo wiwe Ndikumwenayo Gabriel Imbonerakure yo muri cndd-fdd,kuwa 4 Ntwarante2026. Amakuru twakure aho avuga uwo mugabo yatashe muhira hafi isaha zibiri z'ijoro kandi ko yashitse asuka amazi ashushe ku mugore wiwe yagire acumbemwo ubugari. Bidatevye, umugore yashize ku ziko ayandi mazi.Umugabo yarindiriye ko amazi abira hanyuma asubirakuyasukakumugore wiwe.Ababanyi,batabajwen'uwo mugore,barashoboye kuza gutabara ariko uwo yamuturiye yari yamaze guhunga.Ababanyi bemeza ko hariho umubano mubi muri uyo muryango.Uwikekwa icaha n'ubu aracidegemvya nk'uko vyidogwa ababa kuri ako gacimbiri. Uwurongoye uwo mutumba Ninganza Raphaël asigura ko atawuzi irengero ryiwe kuva akora iryombara,yoba yagirizwa ko yoba ari mubatumye adahagarikwa, kubw'amasoko amubona

## *II.1.2.2. AMABI AFATIYE KU GITSINA/UGUSHURASHUZWA (Ibikurikira urupapuro 16)*

acidegevya.

***Ak2 : K***uwa 16 Ndamukiza 2026, umunyeshure B. E, kw' ishure nshingiro i Nyakerera, mu mwaka wa 2,ku mutumba Nyakerera, muri zone Minyare,muri komine Cankuzo,mu ntara ya Buhumuza, umukobwo B na R, w' imyaka 11 yafashwe ku nguvu n'umusoda yitwa Nkuriyingoma Abdoul, caporal, wo mw' ikambi y'igisirikare ya Mutukura iri impande y'umuhana w'umuryango wuwafashwe ku nguvu.

Kubw'amasoko yo mu karere,uwo yikekwa ko icaha yari muhira kwa Bukuru inyuma y' umutaga. Umukobwa yari wenyene. Abdoul yasavye Emelyne kumuha umupanga kugira aje kurondera umuti mw'ishamba riri hafi hanyuma amuhenda ngo amuherekeze kugira ace atora umupanga. Niho yaca amushurashuza amuhaye amahera 5000fbu. Ashitse muhira,mukase yabonye ayo mahera mu minwe ya Emelyne hanyuma aca aramubwira vyose uko vyagenze. Twobamenyesha ko nyina wa Emeline yari Renathe yapfuye anizwe kandi atabwa mu ruzi inyuma yo gufatwa ku nguvu n'abagizi ba nabi batamenyekanye haciye imyaka itanu.

Umuryango wa Bukuru yarateye akamo indongozi z'ikambi ya Mutukura. De corps w'ikambi ya Mutukura yitwa Adjudant Major Hakizimana Claude yaragerage kurondera umwumvikano hagati ya se w'uwo mwana hamwe n'uwikekwa ko icaha hakoreshejwe amahera.Umuryango wa Bukuru waranse ariko ahubwo usaba ibipimo vya muganga. Kubwo ababanyi b' umuryango,umwana yarakomeretse kandi ariko aravuzwa. Kuva uwo munsi, Abdoul Nkuriyingomayanyegejwe na De corps ku kirindiro kitaramenyekana.


## *II.1.3. UBURENGANZIRA KU MWIDEGEMVYO*

### *II.1.3.1.UGUHAGARIKWA BICIYE KUBIRI N'AMATEGEKO*

*Amategeko mpuzamakungu n'ay'igihugu mu Burundi aremera ingingo y'ubwere gushika habonetse ingingo iyivuguruza,kandi ko gupfungwa bitokwihutirwa.*Mu kiringo iki cegeranyo cafatiye,umuhari Iteka waharuye ihagarikwa incuro 6,harimwo abagabo 6. Abantu bahagarika ni abaporisi,bagirwa na 5,hamwe n'urwaruka rw' imbonerakure,bari murindi agarika. Ikigara co musi kirerekana ku ntara izahagaritswemwo benshi gusumba izindi.

| Intara | Incuro bahagaritswe | Igitigiri c'abahaga-ritswe | Abagabo | Abagore |
|---|---|---|---|---|
| Buhumuza | 1 | 1 | 1 | 0 |
| Bujumbura | 1 | 1 | 1 | 0 |
| Burunga | 2 | 2 | 2 | 0 |
| Butanyerera | 0 | 0 | 0 | 0 |
| Gitega | 2 | 2 | 2 | 0 |
| Zose hamwe | 6 | 6 | 6 | 0 |

***II.1.3. UBURENGANZIRA KU MWIDEGEMVYO (Ibikurikira urupapuro 15)***




***Uburorero buvyerekana :***

***Abahagaritswe n'abaporisi :***

***Ak1:*** Kuva kuwa mbere igenekerezo rya 04Rusama 2026, uwitwa Séverin Bigirimana umwigisha wo kwishure nshingiro Nyabihunge muri komine Bururi mu ntara ya BURUNGA ari mw'ibohero ry'igiporisi muri iyo komine.

Ku bwo amakuru twatororokanije mu muryango wiwe, uwo mugabo aba muri iyo karatiye, umunywanyi akomeye mu mugambwe SAHWANYA -FRODEBU yagirizwa kuba yasuzuguye yongera atuka abanywanyi 3 b'umugambwe uri ku butegetsi CNDD-FDD, batowe muri iyoo karatiye ariko arahakana ivyo bamwagiriza. Abo batowe bamutegetse gusaba ikigongwe ariko aranka kugisaba kubera ivyo bamwagiriza bitagira ishingiro. Bamwe bamwe mu baba muri iyo karatiye bavuga ko apfunzwe hadakurikijwe amategeko kubera umugambwe arimwo. Bemeza ko apfunzwe kubera yanse kwinjira mu mugambwe CNDD-FDD. Umuryango wiwe n'ababanyi basaba ko yorekurwa atagisabwe kugira asubire ku kazi.

————————————————————-—-

***Ak2:*** Umugabo yitwa Claude, umukozi wa Banki ya Bancobu i Mwaro, yarapfungiwe muri komisariya y'igiporisi muri komine,Mwaro,iri Gatare, haheze indwi (kuwa mbere mu gitondo igenekerezo rya 15 Ruheshi 2026). Iryo pfungwa ryabaye inyuma y'ivyabaye hagati yiwe Uwayezu Claude,umunywanyi akomeye mu mugambwe uri ku butegetsi i Mwaro, mugihe bari mu bunywero bwo mw' ijoro ryo kuwa gatandatu igenekerezo rya 13 Ruheshi 2026.

Umuzi w'ayo matati uva ku kuntu Claude(umukozi wa Banki) yanse gukeza Uwayezu Claude, aherutse kuronka amabanga yo kurongora umuhari w'urwaruka rw'Imbonerakure bo mu mugambwe uri ku butegetsi muri zone ya Mwaro. Uwayezu akora kandi akazi ko kugendura imirimo y'amagara y'abantu muri komine Mwaro, icicaro arimwo kuva aho hatanguriye indinganizo y'intwaro nshasha y'igihugu,haciye umwaka.

Inkuru zatororokanijwe ahonyene,avuga ko Uwayezu Claude yashikirije ikirego ku nzego z' igiporisi, amwagiriza gukubagura indongozi ("yakubise urwego").Uwayezu yagirizwa gusomborotsa uwundi mu bigo vyo kwinezereza, yishimikije ko ari mu mugambwe uri ku butegetsi.

————————————————————-

### *II.1.2.1 UGUHAGARIKWA BICIYE KUBIRI N'AMATEGEKO (Ibikurikira urupapuro 18)*

***Ak3:*** Ihagarikwa rya Benjamin Babunga Watuna,ava muri kongo ,umuhinga mpuzamakungu yigenga akaba n' umusesanguzi wo mu karere k'ibiyaga binini mu vyerekaye kahise,ryabereye i Bujumbura kuwa 26 Rusama 2026. Umukozi wa cane kandi akurikiranwa ku mbuga,Watuna azwi ku busesanguzi bwiwe yashira ahabona bujanye n'akahise hamwe na poritike yigenda ku gihugu ca Repuburika iharanira demokarasi ya kongo ndetse no mu karere. Ku kubura amakuru azwi ku ruhande rw'indongozi z'abarundi canke z'abanyekongo mugihe vyaba,ibintu vyegeranijwe n'amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu hamwe n'abegereye uwo yahagaritswe bitanga umuco ku rubanza ahanini rugizwe n'imvo za poritike.

Amasoko yahurijweko,ihagarikwa ryatanguye ku buryo budasiguritse ku mvo ry'ikosa ritoya ryo mw' ibarabara ,ivyo umuhari Iteka ufata uyu munsi nk'uburyo bakoresheje kugira bamuhagarike atawubiciye ikanda.

Yafashwe n'umuporisi amwagiriza kuba yahagaritse ingendeshwa yiwe mu kibanza kibujijwe, Watuna yabonye imvo nyayoy'ivyo bamwagiriza.

Bunonyene, ubutabazi bw'igiporisi bwarahashitse kandi umuporisi yuriye ku nguvu mu ngendeshwa yiwe amutegeka kubakurikira gushika ku kirindiro. Ivyo vyerekeye umutekano w'ibarabara vyahindutse bunonyene urubanza rujanye no guhungabanya umutekano w'igihugu,uwugendesha imodokari yaciye ashirwa buno nyene mu minwe y'ikigo c'iperereza ry'igihugu c'Uburundi.

Hmwe uwo musesanguzi ari mu minwe y' iperereza,SNR,idosiye yafashe iyindi ntumbero ya poritike ikomeye irimwo amatohoza aboneka y'indongozi za Kinshasa. LeReta ya kongo cagiriza rero Watuna gukorana n'umuhariw'abarwanyi M23, bashigikira ko yoba abafasha mu vyerekeye uburyo mukujana amahera agenewe abantu bakorana n'uyo muhari bari mu Burundi.

Inyuma y'ihagarikwa ryiwe,amaterefone yiwe hamwe n' imashini nyabwonko vayarafashwe kugira azosesangurwa n'abahanga bakomeye. Ariko,kubwo amasoko yacu,nta kintu nakimwe kimwagiriza basanze muri ayo materefone n' ingendeshwa kugira bemeze ibirego vy'i Kinshasa.

Inyuma y'iminsi cumi apfungiwe mu gasho k'iperereza, Benjamin Babunga Watuna eyarungitswe mw' ibohero rikuru rya Bujumbura kuwa 5 Ruheshi 2026, aho gushika ubu apfungiwe. Iryo hagarikwa ryabaye inyuam y'umubonano ku mugaragaro i Bujumbura hagati y'umushikiranganji w'Uburundi ajejwe umutekano hamwe 'umushikiranganji wa mbere wa Kongo ajejwe umutekano.

## *II.2. UBURENGANZIRA KU MIBANO,UBUTUNZI N'IMICO KAMA*

*Uburenganzira ku butunzi,imibano n'imico kama bufatwa nk'uburenganzira bwo ku rugezo rwa kabiri,buri mu masezerano mpuzamakungu ajanye n'uburenganzira bw'ubutunzi,imibano n'imico kama.Uburundi bwaremeje ayo masezerano kuwa 14 Ntwarante 1990 kandi bwarayashize mw' ibwirizwa shingiro ryo mu 2018,nko mu ngingo ya 19.Ico ubwo burenganzira bwiharije ni uko bushirwa mu ngiro intambwe ku yindi,bitandukanye n'uburenganzira bw'abigenga na politike.Ama Reta yabushizeko umukono,harimwo Burundi, yiyemeje gushira mungiro ubwo burenganzira bivanye n'uburyo bafise .*

### *II.2.1. IHUNGABANA RY'UBUTUNZI*

Mu Burundi, mu gice ca kabiri c'umwaka,uburenganzira bw'ubutunzi bwarahungabanijwe n'ivyabaye kuwa 11 na 13 Ruheshi 2026.Ikibuga Agasaka cakiriye ibirori vy'amasengesho yateguwe n'umugambwe CNDD-FDD yo kwibuka uwahoze ari umukuru w'igihugu Nkurunziza, ariko amasanganya atari make yarahabaye.

Abanyagihugu,harimwo bamwe batari abo mu mugambwe,babategetse guterera muvyo uburyo.Abagore badandaza mw'isoko rikuru ry'iNgozi baragaragaje akababaro kabo kuri izontererano basabwa kuri ivyo.Naho abanyagihugu bari batekanye ku musi wa mbere,ibintu vyarunyutse bukeye bwaho aho urwaruka rw'imbonerakure bategeka guhagarika ibikorwa vy'uburimyi,bikazana imtambamyi.bigatera akaguma.Igiporisicarugaje utuzu tw'ubudandarizo hamwe n'amasoko gushika igihe c'isaha 12 z'umuhingamo,bahana abavyanka.Ku musi wa nyuma,bariyamirije izo ntererano zo kugahato.

Muri komine Muyinga,umunyamabanga w'umugambwe CNDD-FDD muri komineyaratrgetse intererano za 2000fbu,yongera kuyo batanga ku kwezi ku kwezi yo gukora inzu zo gukoreramwo.

Ubwo buryo bavuga ko ari ubwo guhemba abakozi b'umugambwe.I Muramvya,ubukene bwarabaye ndase,ikiguzi c'imfungurwa kiraduga naho hari itegeko ricungera ibiciro.Abarimyi b'i Matana n'iBururi barabura ifumbire,bikunyura umwimbu,kandi bafise amakenga ko batazoyironka n'aho bayirishe imbere.Abarongozi baramenyesheje ko ububiko bw'ifumbire bwaheze ku gice C ,abarimyi batarose imfashanyo.Umushikiranganji wa mbere yaremeje ingorane zijanye n'ukwiyongera kw'abasaba ubufasha hamwe n'ingorane zo kubura amahera y' agaciro.Naho basavye ko bobishira mu bigenga,Reta nta nakimwe itegura kiboneka,bituma batinya igabanuka ry' umwimbu hamwe n'inzara ishobora kwaduka.

### *II.2.2. UBURENGANZIRA KU NDERO*

Hagati y'umwaka 2026,ivyerekeye uburenganzira ku ndero mu Burundi vyarasubiye inyuma,cane cane muri komine ya Muramvya, aho ikibazo co guheba amashure cageze ku rugezo ruteye ubwoba,cane cane mu bana biga mw'ishure nshingiro. Indongozi y'igisata c'indero muri komine yashize imbere ibintu bitandukanye bituma haba ivyo bintu biteye ubwoba,nk'ubukeneugutwara inda hataragera,hamwe n'ingorane zijanye n'indwara. Muri uyo mwanya nyene,abanyeshure bategetswe kuja mu bikorwa vy'umugambwe,CNDD-FDD,ikintu giteye amakenga cane ku vyerekeye ivyigwa.

Muri Ruheshi,komine Rumonge yaharuye abanyeshure bahevye amashure bangana 3 493 ,harimwo hafi abigeme 1 513 . Imvo nyamukuru z'ukwo guheba amashurenharimwo ubukene hamwe n'inda z'indaro,naho benshi bahingitanya mukubimenyesha. Naho hari iyandikwa rishasha,igitigiri c'abanyeshure batari bake bafashe ingingo yo guheba ishure,bigatuma gutyo haba itituka y'umwimbu uboneka mu bibazo vya Reta. Kubwo ivyo biharuro biteye agahinda, Reta y'Uburundi yagize ico ishikirije mu kumenyesha impinduka mu nyigisho mu mwaka w'ishure 2026-2027,mu ntumbero yo gutorera umuti ubumenyi buke buri mu gisata c'indero.

Ubushikiranganji bw'indero bufise umugambi wo gushiraho inyigisho zigenewe abigisha,mu gutegekanya impinduka ku banyeshure kuva mu mwaka 7 gushika mu mwaka wa 10,inyuma yuko irimbura ryerekanye ivyigwa vyisubiriza bitarimwo umuco hamwe n'ubumenyi buke bw' igifaransa. Kuva mu mwaka w'ishure 2026-2028,umwaka w'10 uzosubizwaho,hamwe no gusubira kwugurura amashure y'indaro mu mwaka 7 mw'ishure ry'akarorero. Amashirahamwe y'abigisha barashimye iyo ngingo ,bagashimangira ko hakenewe ubufasha bubereye kugira ivyobashikirije bije mu ngiro.

### *II.2.3. UBURENGANZIRA KU BUZIMA*

Mu gice ca kabiri,amagara y'abantu mu Burundi carahungabanijwe n'ibintu bitari vyitezwe. Vyose vyatanguye kuwa 28 Ndamukiza 2026,aho incuro 2 z'indwara zidasiguritse zaramenyeshejwe ku bitaro i Kigutu, mu ntara ya Burunga. Naho abarwayi bari bafise ibimenyetso vy'ubushuhe butuma bava umwuna,ibipimo ntivyashoboye kwemeza ivyo. Kuwa 8 Rusama,Dr Jérémie Niyonkuru, lumuganga wo mu karere k'ubuvuzi,yamenyesheje ko ubushikranganji bw'amagara y'abantu bwiyemeje kutohoza ku nkomoko rw'iyo ndwara iteye amakenga.

Ku rundi ruhande,muri komine Karuzi,iri mu ntara ya Gitega, ifise ingorane y' ikene ry'imiti,abarwayi bategerezwa gusubira mu mazu y'ubudandarizi bw'imiti bw'abigenda kugira baronke ubufasha,ibituma ivyo kuvugwa ku buntu bisa bivyahagaze,cane cane ku bakenyezi bibunge hamwe n'abana.

Ibitaro imiti yaragabanutse mu mazu y'ububiko,,hamwe n'abakozi,basanzwe bahembwa nabi, biri mu kangaratete. Mu Rumonge,ugutinya ko hotera ikiza ca Ebola vyaromgerekanye,hiyongerako abantu baguma bandura muri Reta iharanira demokarasi ya Kongo. Ibintu vyari bikanze cane mu kivuko ca Rumonge,gikomeye n'inzira yo kwinjira,habuze cane cane inyubakwa zo gushiramwo abafashwe n'uwo mugera,bigashira ku ngaratete abakozi ndetse kandi n'abajejwe umutekano. Naho habari ukwirimbura kwakozwe n'indongozi z'igisata c'amagara y'abantu,ntajambo na rimwe barashikirizan kugira ibibazo biguma vyiyongera bitorerwe umuti.Musitanteri ya Rumonge, Augustin Minani, yari yatumye ko inama yaho kugira hashirweho ugucunga bikomeye amayira yose yinjira hamwe no kwugara utundi tuyira. Ariko,izo ngingo ntizikwiye kugira bemeze abakozi,basaba ikigo c'ubuvuzi gikwije amategeko,mu ntumbero yo kurwanya ikiza mu Burunga.

*Uwo uri wese ubahirizwa*

# *III. UGUSOZERA N'IBISABWA*

Inyifato y'agateka ka zina muntu mu Burundi, muri kino gice ca kabiri c'umwaka 2026, iguma yerekana nk'ibindi bihe vyaheze, amabi y' urutavanako.Umuhari Iteka hamwe n'ayandi ma shirahamwe uravuga ibiziga vyatowe,ipfungwa riciye ku biri n'amategeko,ukuborezwa igufa hamwe n'ukunyuruzwa n'ukuburwa irengero, bikerekana gutyo ihungabana riguma rigaruka rikabangamira umwidegemvyo shingiro.Agateka k'abagore n'abana karanabangamirwa bikomeye harimwo gufatwa kunguvu bikorerwa abana ku rugero ruteye agahinda.Umuhari Iteka uhamagarira kwikubita agashi kuri Reta n'abayo kugirabubahirize agateka ka zina muntu hamwe n'impinduka zihuta.

Iki kiringo cerekana urukwirikirane rw'amabi hamwe n'itituka mu bisata bitandukanye.Ni ngombwa ko hotanguzwa ibikorwa bitomoye hamwe n'ibiganiro bidakumira mu ntumbero yo gukomeza agateka k'abantu.

Naho biri uko,umuhari Iteka urakenguruka ivyakozwe n'intwaro nko mu manza zaciwe hamwe n'amatangazo yo kwiyamiriza abakora amabi kandi uratera intege bimwe bikomeye iyo ngendo nziza ubona ko ari ngirakamaro mu rugamba rwo kurwanya ukudahana.

Ku rundi ruhande,umuhari Iteka uriyamiriza ukudahana ku bubegito bumwe bumwe bwibonekeza kandi usaba ibikurikira:

⇒ ***Ku mukuru w'igihugu c'u Burundi:***

1. Intwaro ya demokarasi mu kubahiriza uburenganzira n'umwidegemvyo shingiro vy' abanyagihugu.
2. Kubahiriza agateka ka zina muntu,nk'uburenganzira ku buzima,ubwo kudakubagurwa n'ukwidegemvya,

⇒ ***Ku bushikiranganji bw'ubutungane,agatreka ka zina muntu n'ukunganisha ibitsina hamwe n'ubushikiranganji bwo hagati mi gihugu,iterambere ridakumira n' umutekano kuri bose:***

1.Gufata ingingo zo kurandurana n'imizi ukudahana amabi hamwe n'uko abakoze amabi y' ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu bishura ivyo bakoze;

2.Gutohoza no guhana bimwe biboneka amabi akorerwa abana bato vyabaye akayoberaba hinga mu Burundi abatware barorera hamwe n'abandi bo mu mugambwe uri ku butegetsi.

⇒ ***Umushikiranganji w'indero n'ubushakashatsi hamwe n'umushikiranganji wo hagati, iterambere rusangi hamwe n'umutekano w'abanyagihugu:***

1. Guhagarika ibikorwa vya poritike mu bigo vy'ishure kkugira bakingire bongere batezimbe uburenganzira bw'indero ku mwana w'umurundi

⇒ ***Ku bafasha muvyo ubuhinga n'ubutunzi Reta y'u Burundi harimwo NU, UE n' abaserukira ibihugu bakorera mu Burundi,n'ahandi.***

## III. UGUSOZERA N'IBISABWA *(Ugusozera urupapuro 20)*

1. Guhamagarira Reta y'uBurundi kuvyo yiyemeje mu bijanye n'ukubahiriza uburenganzira ntashingiro hamwe no gusaba guhindura inzego kugira bakinge amabi mashasha ;

2. Gushigikiragukingira abaharanira agateka ka zina muntu hamwe n' abamenyeshamakuru , bafise uruhara ngirakamaro mu kudomako urutoke ivyaha;

3. Gukoresha ubushobozi bwabo kugirango bagondoze Reta y'Uburundi yubahirize ivyo yiyemeje mu bijanye n'agateka ka zinamuntu

⇒ ***Ku mugwi wigenga ujejwe agateka ka zina muntu mu Burundi (CNIDH):***

1.Gukora amatohoza yigenga kw'ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu hamwe no gushira ahabona ivyegeranyo ku gihe,cane cane ku biziga bitorwa,ugufatwa ku nguvu gukorerwa abana,ukunyuruzwa hamwe n'ugupfungwa biciye kubiri n' amategeko

⇒***Ku mashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu:***

1. Gukwirikirana uko agateka ka zina muntu kifashe mu Burundi hamwe no guharanira gukingira ubwigenge shingiro;

2. Guharanira gukorera hamwe ku nyungu zo gukora neza kandi ibirama muvyo bashira imbere bitandukanye,

3. Apporter un soutien Gushigikira abagize amakuba y'ihohoterwa ry'agateka ka zina muntu hamwe no guharanira ubutungane kuribo.

*Uwo uri wese ubahirizwa*